**DOMITILLE KIRAMVU**

**POUR LA DEUTSCHE WELLE**

**Nashitse mu Bubiligi uyu mwaka utanguye. Mugusaba akaruhuko umukoresha wanje, nitwaje ko ngiye kuramutsa umuryango wanje usanzwe uba mu Bubiligi kuva mu mwaka w'2013. Ariko mubisanzwe, nari nsobotse mpunze.**

**Icatumye nomoka, ngahunga igihugu c'amavukiro, n'intwaro ya Nkurunziza n'abarwanyi biwe. Imbonerakure. Bamwe murabo barwanyi bafadikanije na bamwe muba polisi, barashatse kungandagura. Kandi kenshi. Ico banziza, amakuru natanga kw'iradiyo RPA, Ijwi ry'abanyagihugu, nari nsanzwe nkorera.**

**Iradiyo RPA, ntirya umunywa mugushikiriza ibintu vyose bigoramwe mu gihugu. Na Nkurunziza ntimugera umutwe iyo yakoze amarorerwa. Ivyo vyose rero yaba yashize ahabona, nijewe nabitangaza kuko nari nsanzwe ntanga amakuru mu Kirundi, ku mutaga. N'ukuvuga igihe c'isaha zitandatu n'iminuta mirongo itatu. Amakuru yumvirizwa n'abantu benshi. Mu rurimi abarundi bose bumva uhereye k'umukuru w'igihugu gushika kuri nyarucari. Vyose rero bigaca birwa ku mutwe wanje.**

**Mu kwezi kwa cumi na rimwe umwaka wi 2014, hari ku munsi wa gatandatu. Nakuwe mu gitanda n'ababanyi bariko bakoma induru. Bari babonye I grenade iteze hagati mw'irembo aho naba. Ariko ntiyari yaturitse, ngirango bayiteze nabi. Imana y'umuntu idahwera. Naciye ngenda kuvuga amakuru. Mpejeje, harumuntu yampamagaye kuri terefone. Ambarira ngo mbega wa kijuju we wibaza ko udashobora guhwera? Ngirango abari bateze ya grenade bari bumvise ko ataco yangize. Nca ntangura kugira ubwoba no kwiyumvira kuyanyaga.**

Sinasubiye kurara muhira. Narararaguza. Kubagenzi. Canke nkigumira kukazi. Sinarara ku ncuti. Kuko niyumvira ko bashobora kunsangayo, bakaniga. Nakubitira imuhira gutora agahunzu n'utundi tuntu umuntu akenera.

Igenekerezo rya 20 ukwezi kw'icumi na kabiri, haraje imbonerakure, nsanzwe nzi, kandi nkengurukiye cane, irankebura. Iti ubu ntawuzogupfunga nko mu mwaka wi'2006. Ubu bazokwica. Aho muruwo mwaka ,narapfunzwe mw'ibohero rikuru ry'I Bujumbura, Nari natanze amakuru ajanye niremmentanya ryo gutembagaza inzego z'igihugu. Ariko mu bisanzwe, ryari rigamije gukumira ibihangange bahora batwara igihugu, kugirango ntibacutse umutima wo gusubira mu mikino ya politike. Aha harimwo ba Ndayizeye na Kadege.

Uretse ivyo, mu makuru twarondera biciye mu matohoza, twaramenye ko hari abantu batari bake, bo mu migambwe itavuga rumwe n'uwuri ku butegetsi, canke bo mu mashirahamw adakiranira ivyicaro vya politike,  banyuruzwa mw'ibanga, impera n'imperuka, bagatorwa ibiziga mu nzuzi. Kuva ico gihe naciye mbona ko hageze ko mvuma agashambara. Nca ndaza ibulaya.

Ka karuhuko nari nasavye aho gahereye m'ukwezi  kwa gatandatu uyu mwaka, ibintu vyari vyamaze kuyangara mu Burundi. Imyiyerekano yo kwiyamiriza ikiringo ca gatatu ca Nkurunziza irareta. Abapolisi n'imbonerakure birara mubiyerekana, baragandagura. Kandundura, imbonerakure zihitana iradiyo RPA zirakongereza. Nca mbura iburyo n'ibumoso. Ntavyo gutaha mu ntambara kandi ntagira n'akazi.

Uno munsi aho bigeze, abamenyeshamakuru nka bose bakorera amararadiyo yigenga baromotse. N'abakorera RPA, Isanganiro, Bonesha na Renaissance. Abariye umutima amenyo bakaguma mu gihugu, baranyegeye.

Aho ayo maradiyo yaturirwa n'ubutegetsi bwa Nkurunziza, naciye ntahura ko hariko hategurwa akamaramaza. Umugambi wo kumara abantu. Mukayombekero. Kuko ata maradiyo ahari ashobora gushikiriza ivyabaye. Ninavyo vyashikiye abariko bariyamiriza ikiringo ca gatatu ca Nkurunziza. Abapolisi n'imbonerakure bambitswe umwambaro wa gipolisi barabarashe n'amasasu yica. Uwutapfuye yarahagaritswe. Mubusho iyo bajanywe,

**baraborejwe igufa. Mbere ngo harimwo abo bavunaguye imigongo. Abandi amaguru. Abandi bacibwa intoki.**

**Nkurunziza yakoresheje amatora. Abo bahiganwa benshi bari mubuhungiro. Abarundi barenga ibihumbi ijana barahunze intambara. Ntabarorerezi baba abarundi canke mvamakungu bariko barayakurikirana. Nta ma radiyo yigenga ariho kugira atange inkuru y'imvaho. Hasigaye iradiyo y'igihugu. Iradiyo ya Nkurunziza. Itangaza ico wenyene nabamuyoboka bayitegetse. Sinzi rero abazemera ayo matora y'irementanya.**

**Amakungu arabandanya atera ivyatsi intwaro y'agacinyizo ya Nkurunziza. Nivyiza. Ariko ntibikwiye. Abapolisi n'imbonerakure bariko barica abanyagihugu, kamwe kamwe. Abatavuga rumwe na leta. Urwaruka ruturuka mu migambwe itavuga rumwe na Cndd fdd. Abari mu mashirahamwe adakiranira ivyicaro vya politike. Abamenyeshamakuru. Iyo niyo migwi abicanyi ba Nkurunziza bariko barahiga buhongo kugira babahonye. Mu majambo make, n'ihonyabwoko rya politike ririko rikorwa n'intwaro ya Nkurunziza.**

**Amakungu azohava yikangura asanga u Burundi bwacitse u Rwanda rwo mu 1994. Jewe ico mbona gikenewe, nuko hoboneka inteko mvamakungu zorungikwa gutabara abarundi bari mu kaga.**